Inyigisho Zihurikiyemwo bose zifise akanovera.

Bishasha bimenyeshejwe na Act 1 Working Group

Ici rya 2022

Act 1 Working Group ni nde?

Mumwaka wa 2019, Act 1 Working Group (izwi kandi nka the Ethnic Studies and Social Equity Working Group) yatangujwe na Vermont law. Uyu mugwi ugizwe n'abantu 23 bava mubisata bitandukanye vya leta, amashirahamwe y'indero, hamwe n' abava mumakominote, harimwo abanyeshure bo mumashure yisumbuye, bakunda ivyerekeranye n'indero..

The Working Group ubu iriko ikora kuki?

Igice ca I (agatasi ka 2021 gushika ubu)

Bakoze kumategeko ajanye n'indinganizo y'amasomo hamwe no gutsinda k'umunyeshure.

Bahisemwo gusubiramwo itegeko ryitwa The Vermont Education Quality Standard (Inyigisho zihurikiyemwo bose zifise akanovera) bakaba bariko barategura ivyifuzo vy'ivyohinyanyurwa bikazoshikirizwa umurwi wa leta ujejwe indero. Muri Ndamukiza 2022, niho baheza bagirako barashikiriza ivyo vyifuzo.

Igice ca II (2022-2023)

Mumpera z'uyu mwaka, bazotangura kuraba urugero rufatigwako muvy'amasomo (nk'ibiharururo canke ivyigwa vy'imibanire y'abantu) no kuraba uko urwo rugero rwafatiweko rwohurikiramwo akahise, ivyiyumviro n'ivyabawemwo n'imigwi idaserukirwa cane.



Ibindi kunyigisho zihurikiyemwo bose zifise akanovera.

The *Vermont Education Quality Standards* act niyo ngendegwako, isigura agaciro k'amashure igatanga intumbero kumashure ya district iyo arimo arategura indinganizo n'ibikoresho vy'amasomo. Kuva mugatasi ka 2021, The working group iguma ivugana n'abanyagihugu muri VT yose kugira bamenye ibintu nyamukuru, bakora mukuvugurura ibigendegwako

mu gukurikirana ko ibikurikira bikorwa :



Guteza imbere ukwiyumvira kwimbitse mukahise, intererano n'imyumvire mu bantu bava mu moko n'imiryango itandukanye.



Gutera intege abanyeshure gukurikirana vyimbitse ibibazo vyerekeranye n'amoko, aho bakomoka, hamwe n'ibibazo vyerekeranye n'uburinganire n'irondakoko



Kugira uburyo abanyeshure biyumvamwo ikaze.



Gutegura uburyo imiryango n'abanyeshure bashobora kuvuga ivyo baciyemwo vyerekeye amoko yabo, imiryango bavamwo kw'ishure.

Ico ushobora gukora.

The Working Group yaramaze gushikiriza ivyifuzo vy'ivyohinyanyurwa umurwi ujejwe indero muri Vermont. Muci no mugatasi, uwo murwi wa reta uriko utororokanya ivyiyumviro vy'abanyagihugu nka wewe kuvyerekeye ivyo vyifuzo twashikirije.

Hari uburyo butandukanye woterera:

- Kuvyemeza kumugaragaro
- Kuvugisha umurwi ujejwe indero
- Kwitabira inyigisho zitanga amakuru kugira umenye vyinshi.
- Kwinjira mumurwi utegura ivyerekeranye n'indero
- Terefone ifasha no kwandikira ibanki
- Sangiza abandi inkuru z'impamvu ibi ari ingirakamaro.

Tuvugishe !!!



Rungika email kuri Education Justice Coalition Coordinator, Alyssa Chen
alyssa.edjvt@gmail.com



Iyandikishe kugira ico ukoze mugukanda aha Action Pledge!